N° 11 – 2017

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

# Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye ikoraniro rya bose igira 136 y'Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka





Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi mu ntara ya Bubanza

Soma kurupapuro rwa 7



Kwemeza abashingamateka bashasha bo mu Nama Nshingamateka ya Afurika y'Ubuseruko EALA mu mpfunyapfunyo

Soma kurupapuro rwa 10



Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama nshingamateka yarakoze ibikorwa rusangi mu ntara ya Muramvya.

Soma kurupapuro rwa 15

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa


Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa


Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD


Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoreye ibikorwa rusangi muri Komine rugazi.



Kw'igenekerezo rya 11 Rusama Umukuru w''Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Rugazi mu bikorwa vy'iterambere rusangi akaba yari yagiye aherekejwe n'abatowe muri iyo ntara .Ivyo bikorwa bikaba vyari vyerekeye ahanini guseha amabuye azokoreshwa mu gusasa mwishure kugirango basige isima mu masomero atatu y'ishure nshingiro rya Rushiha.Ayo masomero akaba yubatswe kunterano y'abenegihugu leta nayo ikaba yabaronkeje amabati.

Mw'ijambo yashikirije ,musitanteri wa komine Musigati yarashimiye abashingamateka n'abakenguzamateka batowe mu ntara ya Bubanza kuba bemeye kuza kwifadikanya nabo benegihu muri ivyo bikorwa.Yamenyeshejeko muri iyo komine ya Musigati amahoro n'umutekano ari vyose ariko ko haherutse kwibonekeza ubwicanyi bufatiye ku kwagirizanya uburozi umuntu ,umuntu umwe rero akaba ari we yahasize ubuzima yagirizwa kuba ari umurozi. Yaravuze no kubijanye n'abantu bashika kuri cumi n'abane bafashwe bagirizwa kwimba ubutare mu kibira batisunze amategeko.

Buramatari w'intara banza Tharcisse Niyongabo nawe nyene akaba yaremejeko intara ya Bubanza itekanye mu bijanye n'amahoro n'umutekano.Yashikirije kandi ko abenegihugu bo mu ntara ya Bubanza ubu baranezerewe nuko bazokwimbura bikwiye kuri iyi mpeshi kuberako imvura yaguye neza,bagereranije no mu gihe ca gatasi. Yaramenyesheje kandi ko ku rwego rw'intwaro bariko barakora uko bashoboye kugira ngo barandurane n'imizi ingeso yo guharika no kurenga ibigo yibonekeza cane mu gihe c'iyimbura ry'umuceri na cane cane mu kiyaya c'Imbo.

Mw'ijambo yashikirije abenegihugu inyuma y'ibikorwa rusangi,Nyakwubahwa umukuru w'Inama nshingamateka yabanje guha ijambo abenegihugu bo kumusozi wa Rushiha klugirango bashikirize ibibabakiye. Abashikirije amajambo bose barasavyeko ibarabara rya Rushiha ,ibura ry'ibikoresho bimwe bimwe vyo mu masomero,intebe ,ibibaho ,hamwze rero n'ikena ry'abigisha ku mashure amwe amwe.Barashikirije kandi n'ikibazo c'ibiterwa bimwe bimwe bitacimbuka bivanye n'itituka ry'isi ndimwa hamwe nigwara zabiteye aho bakavuga nk'imyumbati,ibitoke n'ibindi.

Umukuru w'umutumba wa Rushiha, naze nyene mubibazo yashikirije ,yashimikiye ahanini kukibazo c'umuntu yatakaje ubuzima bivuye kukwagirizwa uburozi bigatuma umuryango w'uwabuze n'umuryango wikekwa kuba warishe uyo muntu ,ndetse bikaba vyanazanye icuka kibi mu benegihugu bo kuruyo musozi.Yarasvye kandi ko bobafasha

bakabashikira imbere kugira ngo abantu cumi na bane bafashwe bagirizwa kwimba ubutare mu kibira



batisunze amategeko babarekure ,ngo babatezurire.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda mukwishura kurivyo bibazo vy'abenegihugu,yabanje kugaruka kuri urwo ruphu rw'umwe mu benegihugu bo ku musozi wa Rushiha bivuye ku rwikekanwe rufatiye ku burozi. Umukuru w'Inama Nshingamateka yameshejeko atamuntu numwe arekuriwe kwihanira yuko ari ukwama bitura inzego zibijejwe. Yabasavyeko bobandanya kubana mu mahoro ati kuko amahoro asasagara mu gihugu cose ari uko ingo ziri amahoro ndetse bikanabanza gukwira mu mibano.S

Yarongeye kandi amenyeshako kubana neza bizotuma bashobora gufashanya hagati yabo mu kibano.Yaboneyeho n'akaryo ko guhanura abo benegihugu ko bokwubaha ababarongoye kuva ku nzego zo hasi gushika hejuru ; ati mugihe habaye ukutumvikana kuri iki na kiriya boshira imbere ibiganiro hako bashwana.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yaragize nico ashikiriza kubijanye n'ihagarikwa ry'abantu bagera kuri cumi na bane bo kuri uyo musozi wa Rushiha nyene bafashwe bariko barimba ubutare bidaciye mu mategeko. Yabamenyesheje ko itegeko rigenga kwimba ubutare ririho kandi ritegerezwa gukurikizwa; nta muntu numwe ari hejuru y'amategeko, kandi uwariwe wese ashaka gushira umutahe muri ico gisata ategereqzwa kw'isunga amategeko. Yaciye aboneraho n'akaryo ko gusaba abajejwe intwaro co kimwe ko botegura umwanya wo kwigisha no gusigurira abenegihugu ibijanye niryo tegeko rigenga kwimba ubutare mu Burundi .

Nayo Kubijanye n'isubirwamwo ry'ibarabara rija mu Rushiha , Nyakwubahwa umukuru w'Inama



Nshingamateka yamenyeshejeko mu kurindira ko haboneka uburyo bwo kurisubiramwo ,abenegihugu bo muri komine musigati barashobora boshobora kwitunganya iryo barabara kakaba bararikora mubikorwa rusangi. Akaba yagiriyeko abemererako azobaronsa ibikoresho vyo nk'amasuka,ibipawa ,inkorofani n'ibindi bokenera.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse no kuneza yo gukorera hamwe mumashirahamwe kuko arivyo bifasha kwitezimbere .Agira ati abenegihugu bagiye hamwe bakavanga imitahe,mu mashirahamwe,barashobora kurangura imigambi ikomeye kandi bagatera imbere mu buryo budasanwe kandi mu kanya gato.

Afatiye kuri ivyo nyene, yaramenyesheje abenegihu bo ku musozi wa rushiha ko imvukira zo mu ntara ya Bubanza ko bafise umugambi wo gushiraho microfinance kandiko uyo mugambi ugeze kure. Yarongeye kandi amenyeshako iyo microfinance niyamara gutangura ibikorwa ko izofasha mu guha ingurane abenegihu bagashobora kurangura imigambi yabo mito mito ishobora gutuma batera imbere.

Inyuma y'ibikorwa vyose vyaranguwe kuri uyo musi ,imiryango mirongo itandatu y'abenegihugu ba ntahonikora bo kumusozi wa Rushiha,bararonkejwe imfashanyo igizwe n'imfungurwa babihawe n'umukuru w'Inama Nshingamateka.

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abenegihugu b'i Bubanza mu rugendo rw'amahoro

Imyaka ibiri irarangiye, abansi ba demokarasi bashatse gutembagaza inzego zitorewe n'abenegihugu hakaba hari kw'igenekerezo rya 13 Rusama umwaka w'2015.



Mukwibuka iyo imyaka ibiri iheze; mu gihugu cose haratunganijwe urugendo rw'aùahoro kugira ngo biyamirize iyo ngendo igayitse abao bose bagize uruhara mu gushaka kunigira mu menshi ishaka rya benegihugu.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda akaba yifadikanije muri urwo rugendo n'abenegihugu bo mu ntara ya Bubanza ,intara asanzwe avukamwo. Urwo rugendo rukaba rwabakuye kuri stade ya bubanza bagana kw'isoko nkuru yo ngaho i bubanza nyene ahari hategekanijwe kubandaniriza ibirori.Muri urwo rugendo rero, abenegihugu bagenda barasubiramwo ivyivugo vyo kwiyamiriza abashatse ;guhirika ubutegeti; baranavuga kandi n'ivyivugo vyo gushigikira umukuru w'igihugu,gushigikira igisirikare n'igipolisi c'igihugu vyakoze uko bishoboye kugira ngo bacungere imbibe wigihugu barahagarara nk'abagabo igihu nticarwa mw'isanganya bakaburizamwo itembagazwa ry'ubutegetsi ryari ryateguwe n'abansi ba demokarasi.




Abenegihu baranaririmba bahayagiza ubutwari bwa Nyakwubahwa umukuru w'Igihugu we yahakanye guhemukira abenegihugu agafata ingingo yo kugaruka mu gihugu naho hari humvikana mu gihugu cose intureka yihirikwa ry'ubutegetsi. Haruhande y'ivyo ,abenegihugu bari bafise ivyandiko bisaba leta y'uburundi ko boshiraho ibarabara ku mugwa mukuru w'igihugu ryitirirwa uwa 13 Rusama umwaka 2015. Abenegihugu baranasavye kandi ko iryo genekerezo ryokwama riribukwa buri mwaka rigashirwa kurutonde rw'imisi mikuru yibukwa ku gwego gw'IgihuguAbenegihugu kandi barongeye barasaba ko hobaho ihinyanyurwa ry'ibwirizwa Nshingiro hisunzwe ivyo abenegihugu bashikirije mu biganiro bihuza abarundi vyabaye mu gihugu cose.

Buramatari w'intara ya Bubanza Tharcisse Niyongabo yarsomeye abenegihugu bari bari aho ,itangazo ryari yrarungitswe n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu hamwe n'inyigisho zo gukundisha igihugu. Iryo jambo rikaba ryragaruka cane kubihe vyaranze Uburundi na cane cane kubihe vyo guhirika ubutegetsi vyagiye birakurakururanwa hamwe rero n'inkurikizi vyagiye biragira ku gihugu ,abenegihugu benshi bakahasiga ubuzima.

Umukuru w'Inama Nshingamateka

Nyakwubahwa Pascal Nyabesha akaba mw'ijambo ryiwe yamenyeshejeko igerarageza gutembagaza ubutegetsi ryabaye ku wa 13 Rusama umwaka 2017 vyatumye abari bateguye ako kabi




kabishe co kimwe hamwe n'amakungu batahura ko abarundi bafatanye munda kandi ko bunze ubumwe mu budasa bwabo bwaba ubufatiye ku moko, ku madini, ku vyiyumviro vya politike nn'ibindi.

Yarongeye kandi agira ati : « ivyabaye vyaratumye amakungu abonako abarundi bateye intambwe idasanzwe mu bijanye na demokarasi.Yarongeye kandi agira ati ubu inzira ya matora niyo yonyene ishobora gutuma umuntu uwariwe wese ashikira ubutegetsi ati nayo inzira yo guhirika ubutegetsi itagishika mu burundi,kubera ko amase ya kera atagihoma urutaro.

Umuuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda arasigurako abagomye guhirika ubutegetsi atayindi ntumbero bari bafise atari ugusesa amaraso y'abeneburundi haùwe rero no buragiza amatora yo 2015. Ati ariko kubwo urukundo Imana ikunda abarundi abo bansi ba demokarasi ntibashitse kuruyo mugambi wabo ugayitse,ubu uburundi bukaba bufise izego zavuye mu matora ati kandi ziri ku kiviico zitwararitse ni imibereho myiza y'abenegihu.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaboneyeho n'akaryo ko gusaba abenegihugu ko boshigikiza ibikorwa izo nzego bitoreye na cane cane mu kurangwa n'umutima wo gukunda igihugu muri vyose na hose. Ivyo navyo bikaba bijanye n'intererano y'umwenegihugu uwariwe wese mw'ietrambere ry'igihugu. Yarongeye kandi amenyeshako gukunda igihugu bihurikiyemwo ibintu bitari bike harimwo kugwanya igiturire hamwe n'urudandazwa rutemewe n'amategeko forode ivyo navyo bikaba ari bimwe bituma ubutunzi bw'igihugu busubira inyuma.

Imbere yuko yitaba urwo rugendo rw'amahoro Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yabanje kwifadikanya n'abenegihu b'IBubanza mu bikorwa vyo kwubaka ikibuga c'inkino c'akarorero c'intara ya Bubanza.

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragendeye intara ya Karusi.

Ku munsi wa gatanu, igenekerezo rya 5 Rusama 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaratunganije inama ku bategetsi b'ibisata vyose bikorera mu ntara ya Karusi.

Umupfasoni Calinie MBARUSHIMANA, buramatari w'intara ya Karusi yamenyesheje, mw'ijambo ryiwe ry'ikaze, ko amahoro n'umutekano visasagaye mu makomine yose, bivuye ko migwi ihurikiyemwo bose ishinzwe umutekano. Yabandanije amenyesha ko Abanyakarusi





bahanganye n'inzara yaturutse kw'ihindagurika y'ikirere mu gatasi , yamara abizeza ko umwimbu ku mpeshi uzoba mwiza.Mu gisata c'amagara y'abantu, buramatari w'intara ya Karusi yashikirije ko indwara ya malaria yiyaze mu mezi aheze ariko ko ubu yamaze gutuzwa.

Mu bijanye n'ibikorwa vy'iterambere, umupfasoni Calinie MBARUSHIMANA yashikirije ko ivyubakwa ari vyinshi, ivyo akabivuga afatiye kuri stade yo ku rwego rw'intara n'amasoko ya kijambere mu makomine yose agize iyo ntara. Yaboneyeko gukenguruka icese agacumu ku bumwe gatangwa n'Abashingamateka n'Abakenguzamateka batowe muri iyo ntara.

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje ko intumbero y'inama ari iyo guhanahana ivyiyumviro kubijanye n'ubuzima bw'intara. Yaciye abanza kundondagura ingene Inama Nshingamateka ikora, haba mukwemeza amabwirizwa, haba no mugucungera ibikorwa vya Leta. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaragarutse kandi ku migumuko yo mu 2015 ; aho yibukije ko akajagari karanze iyo migumuka kashikanye kw'ihirikwa ry'ubutegetsi yamara bikaba vyaburijwemwo. Ivyo vyakurikiwe n'ibihuha vyerekeye ihonyabwoko gushika naho intara ya Karusi yambikwa inkeba ishushe ngo iriko irategura ihonyabwoko, ivyo bikavugwa bafatiye ku masanamu yafatiwe mu bindi bihugu. Ari nako gusigura ko hari abatanezerezwa n'uko amahoro n'umutekano biramye mu Burundi, bagaca bita ku rutare ngo bahungabanye igihugu. Yabavuniye akagohe ko boguma bafatanye mu nda, bakanashengeza uwo wese yifuza gutotekaza umutekano.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragize ico avuze kubijanye n'ubutunzi bw'igihugu, aho yashimangiye ku mutima wo gukunda igihugu mu kugwanya igiturire n'urudandazwa rwa magendu. Ati muri kino gihe abafasha mw'iterambere biyonjoroye, uburyo igihugu gikoresha butegerezwa kuva mu benegihugu bonyene; aca aboneraho gukeza ikigo kijejwe gutoza amakori, OBR mu ncamake. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaraneguye urudandazwa rudaciye mu mategeko n'urudandazwa rwa magendu bisigaye vyibonekeza mu bisata vy'ikawa n'ubutare ; aca abasaba kuvavanura n'iyo ngendo yinjiriza amafaranga y'agaciro ibihugu bibanyi, nayo Uburundi bukaburiramwo.Ati umuti wo gutuza iyo ngendo, ni uko Abarundi bonama rimwe, bakabumbatira amahoro n'umutekano. Bategerezwa kandi gukorana umwete mu ntumbero yo kwongereza umwimbu, kanatsinda isi iramera, hakenewe gusa kumenya kuyibungabunga.

Atandukiriye ya mfashanyo y'amafaranga angana n'imiriyoni 500 Leta yama iha buri komine uko umwaka utashe, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaranuye abajejwe intwaro kwiga imigambi y'iterambere irashe ifatiye ku nyungu za benekomine kugira ubwo buryo ntibusubizwe inyuma.


Mu vy'ivyiyumviro baterereye, abitavye iyo nama barakengurutse ingingo zafashwe na Letamu ntumbero yo kunagura imibereho y'abenegihugu. Batanze akarorero k'ibwirizwa rihana amabi afatiye ku gitsina ryatumye abakenyezi bari barahohotewe basubizwa agateka.Akandi karorero bavuze kajanye n'ingingo yo gukura amatagisi ku bifungurwa bimwe

bimwe, batibagiye rero n'ubwo buryo bungana n'amafaranga ibihumbi 500 Leta ironsa ikomine yose kugira yitunganirize yonyene imigambi y'iterambere. Yamara abajejwe intwaro baragaragaje impungenge yuko bikibagora gutunganya ubwabo iyo migambi y'iterambere kugira bakorsho ubwo buryo ico bwagenewe. Abandi nabo bifuje yuko ko ibisata bitanga uruhusha rwo gucukura ubutare vyokwiragizwa hagati mu gihugu mu ntumbero yo gufunyira urugendo abenegihugu, kugira ntibarinde gushika i Bujumbura. Kuri ivyo vyose bibabakiye, Umukuru w'Inama Nshingamateka yishuye ko Leta izokwita ku rutare mu ntumbero yo korohereza abenegihugu, aca abahimiriza kwijukira ibikorwa vy'iterambere.

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoranije abajejwe intwaro n'abategetsi bakorera mu ntara ya Kayanza.

Igenekerezo rya 18 Rusama 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoranije abajejwe intwaro n'abategetsi bakorera mu ntara ya Kayanza mu nama yerekeye ubuzima bw'igihugu muri rusangi n'ugukunda igihugu ivyo umwihariko.

Mw'ijambo ry'ikaze, buramatari w'intara ya Kayanza yamenyesheje ko amahoro n'umutekano bitari agaseseshwa rumuri muri ako karere. Ari nako gushima ko abanyakayanza banamye rimwe mu butandukane bwabo. Yamara ngo ingeso z'amabi afatiye ku gitsina, kubana bidaciye mu mategeko no guharika ziraciboneza hamwe-hamwe. Yaranadomye ko urutoke imigwi igendana ibirwanisho yiba mu mihana no mu maduka ; ari nako kumenyesha ko abajejwe umutekano bariko barayituza



Vyongeye, Buramatri w'intara ya Kayanza ngo arararajwe ishinga n'urudandazwa rwa magendu rwibonekeza muri ino minsi ku bidandazwa bimwe bimwe muri iyo ntara. Yarasiguye ko gushora mu mpisho ikawa n'ubutare mu bihugu bibanyi bisigaye ari ibisanzwe muri komine ya Kabarore, akanegura cane cane abajejwe intwaro bamwe bamwe bakingira ikibaba abo banyonyezi. Niho yamenyesha ko inzego zibijejwe ziriko zita ku rutare kugira barandurane n'imizi iyo ngendo, ngo hamwe yobandanya ubutunzi bw'igihugu bwohahonera. Ngo yaba abo banyonyezi, yaba n'abo babakingira ikibaba, bose bazorengutswa imbere y'ubutungane.

Mw'ijambo ryiwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka yabanje gukeza abenegihugu bo mu Kayanza ku kugene bagumye bafatanye mu nda mu bihe bigoye igihugu gihitiyemwo mu 2015. Imbere yo kutangura inama nyezina, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaraciye ku mayange ingene Inama Nshingamateka ikora.

Urwo rwego rumwe rusangi ruserukira abenegihugu iyo bava bakagera ngo rujejwe ahanini kwemeza amabwirizwa no kunenzura ibikorwa vya Leta.Yose hamwe ni imigwi umunani yamaho mu Nama Nshingamateka inononsora amabwirizwa yarungitswe na Leta, imbere yo kuyashikana mu nama ya bose kugira yemezwe, nkuko yabandanije abimenyesha, akibutsa mbere ko kuri iyo ntambwe ari naho haba hakenewe intererano y'abenegihugu.

Vyongeye, ngo abenegihugu barafise uburenganzira bwo gukurikirana inama za bose, yamara ngo ako gateka kabo ntako bazi. Umukuru w'Inama Nshingamateka yaboneyeho gutumirira abenegihugu kuja inama kugira umunsi uri izina bazogendere Inama Nshingamateka kugira bibonere ingene abo bitoreye bakora.



Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaragarutse ku mutima wo gukunda igihugu utegerezwa kuranga kira mwenegihugu abikwiye. Yamenyesheje ko uyo mutima usigura vyinshi, uhereye gukingira inyungu z'igihugu, izi nazo zikibonekeza mu bisata bitandukanye vy'ubuzima bw'igihugu. Yarashimikiye ivyo umwihariko ku gisata c'ubutunzi aho yasiguye ko kurwanya urudandazwa rwa magendu, ibituriren'ukuriha amatagisi, ari bimwe mubigaragaza ko kanaka afise umutima wo gukunda igihugu.

Kubijanye n'urudandazwa rwa magendu rukorwa muri komine ya Kabarore mu bisata bw'ubutare n'akawa, Umukuru w'Inama Nshingamateka yahanuye ababa muri iyo komine kurengera inyungu zabo, bakareka gusongera isibe mugutuma igihugu gihoba kandi ubutunzi bwari busanzwe bunyoganyoga. Mu gihe ikigega c'ivyo bihugu bishorerwamwo ivyo bidandazwa kibomboka, Uburundi burahatakariza amahera menshi y'agaciro, nk'uko uyo mushitsi w'iteka yambandanije asigura, akerekana ko mwene abo badandariza mu kinyegero bahungabanya igihugu, ivyo navyo bigatuma kidatera imbere.Ari nako gutumirira Abanyakayanza gukorana n'abajejwe intwaro n'umutekano, abaporisi banywanya ibiturire kugira batuze iyo ngendo ; agahamagarira kandi abenegihugu gushengeza abo badandaza ba magendu n'abarya ibiturire.

Ikene ry'ibitoro risigaye ritiye isibe naryo nyene Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragize ico arivugako. Yasiguye ko iryo kena riterwa na vyinshi. Ahanini ngo biterwa ni uko igitoro ari gike, ugereranije n'abakirondera. Yamara yarahumurije ko que mu minsi mike ibintu bizoba vyasubiye mu buryo. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaranagarutse ku murindi w'irondoka, ari nako guhanura Abanyakayanza kuvyara ku rugero, naririya iyo ntara yabo iri muzambere zirondoka cane mu gihugu. Abafashe amajambo bose bashimangiye ku budandazwa bw'ikawa, baca baterera iciyumviro c'uko ico gisata c'ikawa cosubizwa mu minywe ya Leta, iryo mbere ngo bikazoba ariyo nzira irashe yo kurwanya urwo rudandazwa rwa magendu. Barasavye kandi ko ibisata bimwe bimwe vya OBR vyokwiragizwa hagati mu gihugu, mu ntumbero yo kworohereza abagomba kuriha impapuro, muri kino gihe ico gikorwa kikaba kibera i Bujumbura gusa. Abarongoye imitumba nabo nyene barashikirije ko ibibabakiye bifatiye ku ngorane yo kubura uburyo bwo kwiyunguruza, ivyo bigatuma batarangura neza amabanga bashinzwe.

Yishura ku bibazo bijanye n'igisata c'ikawa, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaremeye kwegera izego zose zerwa n'ico kibazo mu ntumbero yo gutora umuti urama. Kuvyerekeye icipfuzo co gukwiragiza mu gihugu hagati ibisata vya OBR, komiseri ajejwe ikori muri ico kigo yari yitavye iyo nama yarahumurije ko iyo ntambamyi igiye kuhava mu minsi mike. Kubijanye n'ingorane wo kwiyunguruza ku barongoye imitumba, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yatanze iciyumviro c'uko abajejwe komine boba barabatunganiriza, mukurindira yuko iyo ngorane ifatwa mu minywe n'aboyerwa.

# Umukuru w 'Inama Nshingamateka yaraserukiye Inama Nshingamateka y'Uburundi mu nama igira iya 25 y'Amanama Nshingamateka y'ibihugu vya Afrika bikoresha ururimi rw'igifaransa.



Kuva kw'igenekerezo rya 22 gushika kurya 24 Rusama 2017, inama ya bose y'Inama Nshingamateka y'ibihugu vya Afrika bikoresha ururimi rw'igifaransa yarakoranye. Ikaba yabereye mu gisagara Rabat mu gihugu ca Maroc. Inama Nshingamateka y'Uburundi ikaba yari yaserukiwe na Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, Umukuru w'Inama Nshingamateka.

Iyo nama ikaba yari irongowe na Nyakwubahwa MINAKU NDJALANDJOKO, Umukuru w'Inama Nshingamateka w'Ibihugu vyose vyo kw'isi bikoresha ururimi rw'igifaransa akaba ari nawe arongoye Inama Nshingamateka ya Republika iharanira demokarasi ya Congo. Muri iyo nama hakaba hari hategekanijwe ko bahagarara cane ku ngingo zikurikira: Amahoro n'intwaro ibereye nivyo nkingi z'iterambere rirama mu bihugu vya Afrika bikoresha ururimi rw'igifaransa, hamwe rero n'ivyerekeye inyungu n'inzitizi zo kwishingira imitahe muri Afrika.

Ijambo ryo kwugurura iyo nama rikaba ryashikirijwe na Nyakwubahwa El Malki, arongoye Inama Nshingamateka ya Maroc aho yamenyesheje ko ingingo bagiye gufatirako muri iyo nama zihanze umugabane wa Afrika. Ati nizo kandi zihanze Amanama Nshingamateka, ,k'inzego zitora amategeko zikanagenzura ibikorwa vya Leta, zihamagariwe kugenzura ivyerekeye gukorera ku mugaragaro. Ikindi yashikirije n'uko Amanama Nshingamateka yofata iya mbere mu gutora amategeko yorohereza abashinga imitahe gutyo ubuzi bukiyongera.



Nshingamateka ari nayo shingiro ya demokarasi. Ati Amanama

Nayo uwurongoye Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha

ururimi rw'igifaransa Aubin MINAKU NDJALANDJOKO



Akaba yabamenyesheje ko ubu amahoro n'umutekano bisasagaye mu gihugu ati ibiganiro hagati bihuza abarundi vyarahaye akaryo abarundi gushikiriza ibibabakiye hamwe n'inyishu babona kugira haboneke amahoro arama mu Burundi.

Ikindi Nyakwubahwa Umukuru w'Inama yashikirije n'uko abarongozi bamwe bamwe bari bahunze igihugu bariko barataha muribo harimwo uwahoze ari Umukuru w'Igihugu Sylvestre NTIBANTUNGANYA hamwe n'uwahoze ari Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu akaba kandi arongoye umugambwe ADL umupfasoni Alice NZOMUKUNDA.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyeheje kandi ko Inama Nshingamateka y'Uburundi ibabazwa n'abantu hamwe n'amashirahamwe amwe amwe amenyeshako mu Burundi bicika mu gihe n'impunzi z'abanyekongo zigera ku 52.465 zumva ziri mu mahoro n'umutekano mu Burundi. Ati niba Uburundi bushoboye gukingira abo banyekongo bwonanirwa gute no gukingira abarundi ? Ikindi yamenyesheje n'uko abarundi bari bahunze igihugu cabo bariko barahunguka ku bwinshi ubu hakaba hamaze guhunguka abashika ku 156.266 ku 260.000 bari bahunze.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje kandi ko Leta

mugongo Uburundi kugirango ibihano bwafatiwe n'Ishirahamwe ry'ibihugu vya Buraya zohava asaba kandi ko Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa yofuta ingingo yafashe ku Burundi yo kubushira mu mwihwezo, ingingo yari yafatiwe i Berne mu bu Suisse mu mwaka w'i 2015.

Ku ruhande rwiwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa yamenyesheje ko ibihe vyahindutse kandi ko Uburundi bwateye intambwe iboneka ku vyerekeye



ry'ibihugu vya Buraya bidafashe na gato kuko ngo mu Burundi hari amahoro n'umutekano nkuko vyiboneke je mu cegeranyo casohowe n'intumwa Inama Nshingamateka y'ibihugu vya Afrika yari yarungitse mu Burundi. N'abandi bari baserukiye

Amanama Nshingamateka y'ibihugu vyabo muri iyo nama bakaba bariyamirije ibihano mu vy'ubutunzi bifatirwa ibihugu vya Afrika kuko ngo bikora cane ku benegihugu batobato.

Muri iyo nama, kabaye n'akaryo kandi ko guhanahana ivyiyumviro ku kungene urwaruka rwokwishingira ubuzi, abari aho bakaba barakurikiranye intahe y'umwigeme wo mu gihugu ca Mali yashoboye gushinga ishirahamwe ryo guhingura imfungurwa ubu akaba amaze gutanga ubuzi 32 akaba afise na bamwe bakorana bita aba partenaires bagera ku 800. Mu kurangiza iyo nama, itangazo ry'ivyavuyemwo rikaba ryarashikirijwe. Ku vyerekeye ingene politike n'umutekano vyifashe mu bihugu vya Afrika bikoresha ururimi rw'igifaransa, inama ya bose yasanze ko ibihugu bigeramiwe n'iterabwoba ari cane cane Mali, Niger, Burkina Faso na Tchad.

Muri iryo tangazo, abari muri iyo nama bakaba basavye ko hoba ibiganiro hamwe no gukorera hamwe hagati y'ibihugu mu

batobato.

Ku vyerekeye Uburundi, bemeye ko hagiye kuza intumwa z'iyo Nama Nshingamateka, zirimwo abava mu bihugu bitandukanye, kugira birabire uko ibintu vyifashe babonereho gukuraho ingingo iyo Nama Nshingamateka yari yafashe

yo gushira Uburundi mu mwihwezo mfatakibanza.

Mu mpera z'iyo nama, Abarongoye Amanama Nshingamateka y'ibihugu vya Afrika bikoresha ururimi rw'igifaransa baragiranye inama mu mwiherero, bakaba bavuganye cane cane ku vyerekeye gushiraho inzego nshasha, bakaba bemeje ko iyo nama Nshingamateka igiye kurongorwa n'Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Côte d'Ivoire nayo ivyegera vyiwe bakaba bazoba abo muri Madagascar na Maroc.

Arikumwe n'abagenzi we barongoye amanama Nshingamateka, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriwen'umwami w'igihugu ca Maroc Mohamed VI. Uyo mwami akaba yabemereye ko azokorana n'ibihugu vya afririka kugirango batewe imbere ikontina ya Afirika.

Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriwe kandi na mugenzi we arongoye Inama Nshingamateka ya Maroc. Nyakwubahwa Habib EL MALKI.



Muri urwo rugendo mu gihugu ca Maroc, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yarabonanye n'abategetsi batandukanye bo mu gihugu ca Maroc.

Abo banyacubahiro bakaba bayaze ahanini kubijanye n'imigenderanire n'ugufashanya hagati y'igihugu c'uburundi hamwe n'igihugu ca Maroc Muri Rusangi,na cane cane ugufashanya n'imigenderanire hagati y'izo nzego uko ari zibiri barongoye. Igihugu ca Maroc rero kikaba gifitaniye n'igihugu c'uburundi amasezerano yo gufashanya mu bijanye n'inyigisho, ico gihugu kikaba cakira abanyeshure bagera kuri 35 baza kwiga muri ici gihugu buri mwaka.

Igihugu ca Maroc kandi kiranafasha Uburundi mubijanye no kwegereza abenegihugu ubutegetsi ,hamwe no gukaburira ubwenge abakozi ba leta ,ico gihugu kandi kikaba caranafashije uburundi mu gihe c'umwuzurira wateye mu Gatunguru hari mu mwaka W'2013. Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Maroc akaba yaremeye ko agiye kuzoza kugendera uburundi mu misi ya vuba.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarabonanye kandi n'Umushikiranganji wo muri ico gihugu ajejwe ivy'ingenzi .Bakaba nawe nyene baravuganye ibijanye n'ingenzi uko vyifashe mu Burundi n'ingene ivyo bihugu uko ari bibiri vyofashanya muri ico gisata c'ingenzi.

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarabonanye n'abategetis batandukanye mu rugendo yarimwo mu Gihugu ca Maroc



M Rabat mu gihugu ca Maroc Umukuru w'Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yarabonanye n'abategetsi batandukanye bo mu gihugu ca Maroc.

Arikumwe n'abagenzi we baron goye amanaùa Nshingamateka Nyakkwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriwen'umwami w'igihugu ca Maroc Mohamed VI. Uyo mwami akaba yabemereye ko azokorana

batewe imbere ikontina ya Afirika.

Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriwe kandi na mugenzi we arongoye Inama Nshingamateka ya Maroc. Nyakwubahwa Habib EL MALKI. Abo banyacubahiro bakaba bayaze ahanini kubijanye n'imigenderanire n'ugufashanya hagati y'igihugu c'uburundi hamwe n'igihugu ca Maroc Muri Rusangi,na cane cane ugufashanya n'imigenderanire hagati y'izo nzego uko ari zibiri barongoye. Igihugu ca Maroc rero

c'uburundi amasezerano yo gufashanya mu bijanye n'inyigisho, ico gihugu kikaba cakira abanyeshure bagera kuri 35 baza kwiga muri ici gihugu buri mwaka. Igihugu ca Maroc kandi kiranafasha Uburundi mubijanye no kwegereza abenegihugu ubutegetsi ,hamwe no gukaburira ubwenge abakozi ba leta ,ico gihugu kandi kikaba caranafashije uburundi mu gihe c'umwuzurira wateye mu Gatunguru hari mu mwaka W'2013. Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Maroc akaba yaremeye ko agiye kuzoza kugendera uburundi mu misi ya vuba.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarabonanye kandi n'Umushikiranganji wo muri ico gihugu ajejwe ivy'ingenzi .Bakaba nawe nyene baravuganye ibijanye n'ingenzi uko vyifashe mu Burundi n'ingene ivyo bihugu uko ari bibiri vyofashanya muri ico gisata c'ingenzi.

# Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragirishije inama abakora ubuzi butandukanye mu ntara ya Kirundo

Guhimiriza abenegihugu bo mu ntara ya Kirundo n'abasanzwe barangurira ibikorwa vyabo muri iyo ntara kugira barwanye urudandazwa rwa magendu, ukurya n'ugutanga igiturire,nivyo vyari vyahagurukije icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA , kugira ayage n'abavuka ntara ndetse n'abasanzwe barangurira imirimo yabo muri iyo ntara, ku wa 23rusama 2017 muri komine ya Busoni mu ntara ya KIRUNDO.



Mw'ijambo ryo kwakira abashitsi musitanteri wa komine ya Busoni, Claudine HASHAZINKA yaranezerejwe nuko abenegihugu baronse ivyimburwa muri kino kiringo B c'irima, kiretse imitumba ishika ine(4) batimbuye uko bikwiye. Bakaba rero bategekanya gushiraho ibigega vy'integakazoza, kugira nutwo duke baronse ntibatumarire mu masoko.

Buramatari w'intara ya Kirundo nawe akaba yashikirije ko hibonekeza ubusuma. Melchior NANKWAHOMBA akavuga ko abenegihugu barahimirizwa kudasesagura umwimbu baronse kugira ntibazobure imbuto yo gutera.Buramatari kandi yashikirije ko mu ntara ya Kirundo hariho ikiza ca malaria kibangamiye abana, abakiri bato n'abakenyezi bibungenze.Ikindi yashikirije, ni abarundi bahunguka bava mu gihugu kibanyi c'Urwanda bashika kuri 450 buramatari akaba avuga ko kubaronse aho baba no kubaha ibibabeshaho atavyo ashoboye wenyene. Yaravuze kandi n'ikibazo c'abarundi bipfuza gusubira mu gihugu cabo ariko Leta y'Urwanda ikabankira.

Nayo kuvyerekeye ivyo kurwanya urudandazwa rwa magendu n'ibiturire, buramatari yavuze ko bari ku kivi, n'ikimenyamenya hariho ikawa ingana ibiro 130 vyafatiwe muri komine Ntega n'ibiro 180 birenga vy'ubutare vyafashwe, ivyo bikaba vyabaye kubera ugukorana neza kwa ya nyabune.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka,Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA, mw'ijambo yashikirije yabanje kibutsa abari ngaho ko igihugu c'Uburundu caciye mu bihe bigoye mu mwaka wa 2015, ari naco catumye ubutunzi bugabanuka.Ati ntidusongere isibe mu gucisha ikawa n'ubutare bija mu gihugu kinywanyi, ngo kuko inyungu ironkwa n'ico gihugu ivyo bidandazwa vyerekejemwo.Akaba yabahamagariye kwitaho kuduza ubutunzi bw'gihugu cacu.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaranamenyeshejeko Kurwanya igiturire n'urudandazwa rwa magendu birashobora gutuma igihugu kiva mu bukene. Ati harateguwe ibihano ruhasha kuri abo bose bagize umugenzo kurya no gutanga ibiturire hamwze no gukora urudandazwa rwa magendo.


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**Gabby BUGAGA**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**

**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07